
# AKABA IMVURA IVANZE N'IMITURAGARO YAKONONEYE INZU







*Kirundi*

Imituragaro hamwe n'imyuzure birabangamira ingo, kandi birashoboka rwose ko umuriro, amazi, n'imiserege itwara imivo na gaze, bishobora kudakora. Harashobora no kubaho iyugwarwa ry'amabarabara, ibibuga vy'indege, canke ibivuko, na telephone zirashobora kuba zidakora.

Urashobora gusanga nyuma y'imvura y'isegenya, canke umwuzure, ukeneye aho kuba vyihutirwa, imfashanyo nk'amahera, indya canke amazi.

## NIWABA UFISE UBWISHINGIZI

- Ca uhamagara iryo shirika urimwo kuko menshi muri yo atanga imfashanyo z'amasaha 24 kuri 24, umunsi wose
- Barashobora kuba baraguhaye aho uba urabaye, indya canke amahera vyo mu bihe bigoye bishitse giturumbuka
- Raba ko inzu yawe ifise umutekano mbere yo kugenda kuko ari wewe biraba
- Ntihagire ikintu na kimwe ugeregeza gusanura keretse ubifitiye impanybushobozi, kuko ibi bishobora kugushira canke umuryango wawe mu ngorane canke ugahava wongereza ikibi mu kindi bikaba vyonatuma barya bishinganye inzu yawe batabigukorereshereza
- Ufise ikibazo ico arico cose kijanye n'ubwishingizi, hamagara Insurance Council of Australia ku nomero **1300 728 228**

## NIWABA UDAFISE UBWISHINGIZI

Bikaba kandi umuryango wawe n'inshuti badashobora kugufasha hamagara:

- Igisata kiraba ugukingira abana 'Department of Child Protection' ku nomero **0418 943 835**, kugira ngo bagufashe kuronka aho uba urabaye, ivyambarwa, indya hamwe n'ibindi vya nkenerwa
- Igisata kiraba ivy'amazu 'Department of Housing', ku nomero **1800 093 325** kugira ngo bagusabire inzu ya leta canle bagufashe kuronka ya mahera y'inyitangizo iyo umuntu agiye gukodesha inzu (bond), niba ubifitiye uburenganzira

Bishitse ko inzu yawe iba yononekaye cane, ukaba ukeneye imfashanyo hamagara SES ku nomero **132 500**

## UMURIRO UCITSE

- Ca uhamagara Western Power ku nomero 131 351
- Hamagara Horizon Power ku nomero 132 351 bishitse ukaba utuye mu misozi, ahatari mu muji, (ugize amadidane rabira ku ibire (bill) ya nyuma waronse)

## GUKURA IMICAFU

- Tangura gukura imicafu hafi y'inzu – kura ibintu vyenena vyose nk'ibisigarira, amashami y'ibiti iruhande y'imetero y'amazi, imyango, n'intsinga za telephone
- Hamagara mu butegetsi bw'igisagara ubamwo, (local council), kugira uronke ingene wokura imicafu idatera ingorane z'amagara hamwe n'ibindi bintu nka birya bizitizo bifise asbestos, (ubumara butera ingwara)

*Kugira uronke impanuro kuco wokora mbere, canke igihe c'imvura irimwo imiyaga myinshi, raba kuri **www.fesa.wa.gov.au***

Government of **Western Australia**
**Fire & Emergency Services Authority**

FESA
Fire & Emergency Services Authority of Western Australia

TSP14530